**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**
**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHIGU**

**IBIRO VYO KUMENYESHA, GUHANAHANA AMAKURU N'UBUVUGIZI BW'UMUKURU W'IGIHUGU**

# ITANGAZO N° OO1/2022

1. Inyuma yaho Ubushikiranganji bw'Intwaro yo hagati mu gihugu, Iterambere rusangi n'Umutekano bwerekanye amakuru afatiye ku birego vy'ibinyoma vyashikirijwe Umukuru w'Igihugu, ibiro vyo kumenyesha no guhanahana amakuru n'ubuvugizi bw'Umukuru w'Igihugu biriyamiriza ubwo bubeshi bugomba kwonona poritike Nziza ya Sebarundi yo gukorana n'Abenegihigu.

2. Ibiro vyo kumenyesha no guhanahana amakuru n'ubuvugizi bw'Umukuru w'Igihugu biramenyesheje ko amakuru yose ahabwa Sebarundi akwirikiranwa neza n'abo vyega kandi ko kizira kikazirir➝izwa gushikiriza amakuru atari yo.

3. Ibiro vyo kumenyesha no guhanahana amakuru n'ubuvugizi bw'Umukuru w'Igihugu birashimira abajejwe umutekano ku bwira n'ubukerebutsi bakoranye amatohoza, bigasaba abajejwe amategeko guhana, hisunze amategeko, abagirwa n'ico caha.

4. Ibiro vyo kumenyesha no guhanahana amakuru n'ubuvugizi bw'Umukuru w'Igihugu birashimira abenegihugu badasiba kwitura Sebarundi, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, mu kuri, ngo abatunganirize. Ivyo biro birangiza vyibutsa abenegihugu ko ivyo vyose batura Sebarundi bibwirizwa kuba ari ukuri kugaragara kandi babifitiye ivyemezo, gurtyo baterere mu bijanye n'intwaro ibereye n'iterambere ry'igihugu.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 8 Nzero 2022

**Hon. Evelyne BUTOYI,**
*Chef de Bureau et Porte-Parole*

Tél – Whatsapp : +257 77 535 000 - E-mail: bicpp@burundi.gov.bi
Site web: www.presidence.gov.bi Facebook: /PresidenceBurundi Twitter: @NtareHouse